www.kidworship.kr

# Izuka

- 18th story -



146Page

**Uwuvuga** Yesu amaze gupfa ku musaraba, abigishwa biwe n'abantu bose bamukurikira bafatwa n'akabonge. Abaherezi bakuru b'I Roma hamwe n'abakuru mu rusengero bibuka ko Yesu yavuze ko azozuka mu bapfuye mu misi itatu baca bategeka abasirikare kuzibiza imva Yesu yari yahambwemwo ikibuye kinini no kuyirarira umurango n'ijoro.



147Page

**Uwuvuga** Mu gicugu c'umusi ugira gatatu inyuma y'urupfu rwa Yesu, Mariya Magadalena, Mariya nyina wa Yakobo na Salomo bazana ibimota neza ngo bose ikiziga ca Yesu. Bagenda bagana aho imva ya Yesu iri, bashitseho, basanga ikibuye cari ku mva cakuweko kandi imva igaragara. Ikiziga ca Yesu nticaboneka. Abo bagore babura ico bafata. Ariko umusore(umumalayika)yambaye ikanju yera yari yicaye aho ikiziga ca Yesu cahora kiryamitse.


**Umumalayikal** Yaco muhagarika umutima. Murondera Yesu umwe yabambwa. Yazutse!



148Page

**Uwuvuga** Ba bagore biruka bava ku mva baja gukwiragiza inkuru nziza. Bariko bariruka, bahura n'umuntu. Yari Yesu yazutse! Abo bagore bunama ku birenge vya Yesu baramuramutsa.

**Yesu** Genda mubwire abandi ko mwahuye nanje kandi mubabwire ko Yesu aje I Galilaya guhura nabo.



149Page

**Uwuvuga** Muri iryo joro, abigishwa biwe bari bakoraniye mu nzu yo hejuru I Yerusalemu. Barugara imiryango n'inguvu kuko batinya ko abasirikare b'abaromani babafata. Ubwo nyene, Yesu yiyereka abigishwa biwe.

**Yesu** Amahoro abe muri mwebwe!

**Uwuvuga** Batangura kujugumira n'ubwoba bibaza ngo babonye umuzimu. Yesu arababarira.


150Page

| | |
|---|---|
| Yesu | Ko mugira ubwoba kandi mukekeranya izuka ryanje? Raba ibiganza vyanje n'ibirenge. Nkorako murabe. |
| Uwuvuga | Abigishwa barahava baremera ko Yesu yazutse mu bapfuye. Baranezerwa cane, baramupfukamira baramuhimbaza. |
| Uwuvuga | Yesu, umwana w'Imana yapfuye ku musaraba akiza ibicumuro isi. Ariko ntiyapfuye; yaciye azuka mu misi itatu. |
| | .................................................................................................... |
| Uwuvuga | Yesu abarira abigishwa biwe. |
| Yesu | Genda mutangaze inkuru nziza kuri bose. Genda mushireho intumwa mu mahanga yose, mubabatize mw'izina rya Data, mwana na Mpwemu Yera' mubigishe kugendera ivyo nababwiye vyose. Nzobana namwe gushika ku muhero w'isi. |
| Uwuvuga | Yesu asezerana ko azova mw'ijuru agahagarara ku bicu mu gucira urubanza isi. |